Subtitle Format Kirundi (Rundi)

Chapter 1 Introduction

Uburyo buhamye bw'intangiriro vy'uruyoya rw'umuntu habanza utuburungu tugenda dukura kugeza kuri trillion-100 ni igitangaza kidakuka cy'ibinyabuzima vyose bimera.

Menya ko abashakashatsi bazi uko bigenda mu mubiri w'umuvyeyi uko bihinduka mu gihe co gutwita- akenshi igihe kirekire mbere yo kuvyara.

imyiteguro ibanziriza ivyara birumvikana ntashiti ko ari igihe co kwitegura mugihe umubiri w'umuntu ugerwaho n'imihindagurike myinshi, n'imikorere ikeneye ubuhanga, kubera imibereho nyuma yo kuvyara.

Chapter 2 Terminology

Inda, mu buryo busanzwe iramba hafi amayinga 38 nkuko vyaharuwe kuva igihe co gusama inda cyangwa igihe co gusama, kugeza igihe co kuvyara.

Mugihe c'amayinga 8 ya mbere nyuma yo gusama, imihindagurike y'umubiri nico citwa intangiriro, arivyo bivuga ko"hari ibikura." Iki gihe ciswe igihe kibanza, kikaba kigaragaza ububumbe bw'ibigize ahanini umubiri.

Guhera vyuzura amayinga 8 kugeza igihe inda ari imvutsi, "inzira iganisha kuba umuntu yitwa isoro" arico citwa "umwana utaravuka." Ico gihe,citwa igihe co gusama umubiri urakura rwose n'ingingo zawo zigatangira gukora.

Ibihe vyose vy'intangiro kugeza Kw'igi muri uru rutonde bijana ni igihe co gusama.

The Embryonic Period (The First 8 Weeks)

Embryonic Development: The First 4 Weeks

Chapter 3 Fertilization

Ibinyabuzima biragaragara, "ikiremwa muntu gitangira kubaho igihe co gusama" ni mugihe umugore n'umugabo iyo bahuje intanga 23 za buri wese mugihe co kuryamana igihe cyo gusama.

Intanga zivyara z'umugore muri rusange zitwa "igi" ariko nabwo hakoreshwa ijambo amasohoro.

Nkuko intanga zivyara z'umugabo muri rusange zitwa "amasohoro" ariko ijambo rikoreshwa ni intanga.

Imbuto z'umugore iyo zisohotse nibwo urutonde rwitwa amagi, igi n'amasohoro bihuriye muri umwe mu mukenke wa nyabavyeyi, arivyo akenshi bishira imikenke ishashe.

imikenke ya nyabavyeyi ijana intanga z'umugore mu kiziba c'inda cangwa mu gitereko cayo.

Akaburungu kamwe iyo kagitangura niko kiswe urusoro, arivyo bisobanura "bibiri vyafatanye hamwe."

Chapter 4 DNA, Cell Division, and Early Pregnancy Factor (EPF)

DNA

Insoro z'uturondorondo 46 zihwanye ni intera imwe rukumbi ya mbere nshansha yuzuye y'umuntu ku giti ciwe muburyo buziguye. Iryo teganyamigambi riba kandi rigwatiriye kuburyo rizengurutse utubumbe twitwa DNA. Tuba dufite amabwiriza y'imihindagurikire y'umubiri wose.

Utuburungu twa DNA tuba tumeze nk'ingazi ijegajega tugaragara nk'uruboho ruboshe kabiri. Intera z'ingazi ni utuburungu tubiri tubiri, cangwa dushingiye kuco bise ishingiro, ibifite isukari, imboga, n'inyama.

Ibifite isukari bibiri vyonyine biba mu maraso, n'ibikomoka kumboga no ku nyama. Buri mubiri w'umuntu ugizwe n'utuburungu tugera kuri miriyaridi 3 tukagenda ari tubiri tubiri.

Akaburungu kamwe gusa ka DNA kaba gafise inkuru zitabarika kuburyo iyo izo nkuru ziza kwandikwa mu magambo, niho haza gukoreshwa indome imwe gusa ibanza ya buri jambo hakenerwa amapaji miriyoni 1.5 y'ivyanditswe!

Iyo kapimwe uko kangana akaburungu kamwe ka DNA k'umuntu gapima santimetero 100 cangwa metero 1.

Dushoboye gukurako ivyizingiye vyose kuri DNA mu tuburungu trillion 100 tw'umuntu mukuru, twakwira ahantu hangana n'ibirometero miriyaridi 42. Ubwo burebure bungana no kuva kw'isi uja ku zuba no kugaruka inshuro 340.

Cell Division

Ni hafi amasaha 24 kugeza kuri 30 nyuma yo gutera intanga, isoro ryigabanyamo ubwa mbere. Muri urwo rutonde y'uruja n'uruza, akaburungu kamwe kicamo kabiri, tubiri tukichamo 4 nuko…

Early Pregnancy Factor (EPF)

Nyuma y'amasaha 24 kugeza kuri 48 intanga zitewe, ubuhanga bushobora kwemeza ko umugore atwite ivyo vyitwa "ikimenyestso cyo gutwita" mu maraso y'umuvyeyi.

Chapter 5 Early Stages (Morula and Blastocyst) and Stem Cells

Nyuma y'iminsi 3 kugeza kuri 4 nyuma yo gutera intanga, utubumbe twigabanyijemo hagaragara akabumbe gasa n'uruziga ako kabumbe rero niko kitwa morula.

Hagati y'iminsi 4 n'iminsi 5, haboneka akobo mutubumbe tumeze nk'umupira iyo sura igitangura niyo yitwa isoro.

Utuburungu imbere mu isoro twitwa akabumbe k'imbere kanini niko gatuma umutwe, umubiri, n'izindi ngingo bikura ni ngombwa mu mibereho y'umuntu.

Utuburungu imbere mu kabumbe kanini twitwa utubumbe fatizo kubera ko dushobora kamwe ukwako gashobora kuvamo utubumbe tugeze kuri 200 turimo umubiri w'umuntu.

Chapter 6 1 to 1½ Weeks: Implantation and Human Chorionic Gonadotropin (hCG)

Nyuma yo kugenda mu mikenke ya nyabavyeyi akabumbe kishira ubwako mu rukuta rw'imbere rw'ikiziba c'inda y'umuvyeyi. Urwo rutonde, rwitwa gushimangira, rutangura iminsi 6 rukarangira hagati y'iminsi 10 na 12 intanga zatewe.

Bitewe n'imikurire y'utuburungu tw'ibanze hatangura ibimenyetso vyitwa chorionic, gonadotropin, cangwa hCG. Ayo niyo mazina y'ibiboneka iyo basuzumye utwite.

HCG nivyo biranga umuvyeyi kutongera kuja mu mihango isanzwe ya buri kwezi bituma inda ikura.

Chapter 7 The Placenta and Umbilical Cord

Ishimangira ribaye, utubumbe turi iruhande rwa blastocyst duha ingovyi kwaguka, ariyo iba iri hagati y'ibiri munda n'umwana.

Ingovyi iha umwana impempu ahumeka, n'ibimutunga, ivyubaka umubiri, n'imiti kugira ngo umubiri ukure; imukurirako imyanda yose; irinda umwana amaraso ye kutivanga n'amaraso y'insobane n'ay'isoro.

Ingovyi itanga kandi ibimenyetso ikagira kandi ibipimo vy'ubushuhe n'ubukonje burutaho gato uvy'umuvyeyi wiwe.

Ingovyi ikorana n'imikurire y'ikiremwa binyuze mu mitsi y'umukondo.

Ubuzima bw'umuvyeyi nibwo buha imbaraga ingovyi zirwanya inrwara duhura nazo mu bitaro vy'iki gihe.

Chapter 8 Nutrition and Protection

Mugihe c'iyinga 1, utuburungu tw'imbere mu kabumbe kanini dukora kuri tugenzi twatwo tubiri twiswe imirongo y'imbere no hasi n'igaragara hanze.

Hypoblast niyo ituma umuhondo w'igi ukura ariwo ufite uburyo umuvyeyi agaburiramo aho umwana atangurira.

Utuburungu tuva kuri epiblast dukora icitwa amnion (urukoko rukomeye) arimo isoro na kera hazoza igi rizokura kugeza kuvyara.

Chapter 9 2 to 4 Weeks: Germ Layers and Organ Formation

Mugihe hafi c'amayinga 21/2 epiblast iba yarabaye impuzu 3 zidasanzwe, cangwa nk'imbuto ifise uruhumbu, yiswe uruhu rw'inyuma, uruhu rw'imbere, n'uruhu rw'imbere cane.

Uruhu rw'inyuma nirwo rutuma vyose bikura harimo n'ubwonko, urura rw'izinze, ubuzima, uruhu, inzara, n'umushatsi.

Uruhu rw'imbere nirwo rutanga uburyo bwo guhumeka n'uburyo bwo gusya ibiryo, nirwo rutuma ibihimba vyinshi vy'umubiri nk'umwijima ndetse n'urwagasha bikura.

Uruhu rw'imbere cane rugize umutima, imfyiko, amagufwa, ingingo inyama z'umubiri, utuburungu tw'amaraso n'ibindi bihimba by'umubiri.

Mugihe c'amayinga 3 ubwonko buba bugabanyijemo ibice bitatu vy'ibanze vyitwa ubwonko bubanza, ubwonko bwo hagati, n'ubwonko bw'inyuma.

Iterambere ry'uburyo bwo guhumeka no gusya ibiryo riba naryo ryaratanguye.

Nkuko utuburungu twa mbere tw'amaraso tugaragara mu muhondo w'igi, imitsi y'amaraso ikora isoro n'imikenke y'umutima ikagarara.

Ni nkako kanya, umutima ukura vuba wishira mu gitereko wonyine nkaho uri mu vyumba bitandukanye ugatangira gukura.

Umutima utangura gutera hashize amayinga 3 n'umunsi 1 nyuma yo gutera intanga.

Habanza gukora uburyo umubiri ugaburirwa, cangwa uburyo rusange buhuza ibigize umubiri, kugira ngo umubiri ubashe gukora.

Chapter 10 3 to 4 Weeks: The Folding of the Embryo

Hagati y' amayinga 3 na 4, umubiri utanga imigambi yawo nk'ubwenge, urura rw'izinze, n'umutima kimwe n'igi bigaragara kuburyo bworoshe hamwe n'umuhondo w'igi.

Gukura vuba bitera igi kugenda riyoyoka. Urwo rutonde rujana n'umuhondo w'igi mu murongo umwe n'uburyo umubiri usya ibiryo ukanakora igituza n'imyobo y'inda mu rwego rw'imikurire y'umuntu.

Embryonic Development: 4 to 6 Weeks

Chapter 11 4 Weeks: Amniotic Fluid

Mugihe c' amayinga 4 haboneka amavuta asukuye akikije isoro mu mavuta yuzuye igi. Ayo mavuta atagira umwanda, yitwa amavuta y'urukoko, arinda isoro kudakomereka.

Chapter 12 The Heart in Action

Umutima muzima utera inshuro 113 ku munota.

Reba uko umutima uhindura ibara uko umutima winjira usohoka mu vyumba vyawo uko uteye.

Umutima uzotera hafi inshuro miriyoni 54 mbere yo kuvuka n'inshuro zirenze miriyardi 3,2 mugihe kirenze uburambe bw'imyaka 80.

Chapter 13 Brain Growth

Gukura vuba k'ubwonko bigaragazwa n'umuntu uko ahinduka bitewe n'ubwonko bw'imbere, ubwonko bwo hagati, n'ubwonko bw'inyuma.

Chapter 14 Limb Buds

Igihimba co hejuru n'ico hasi bitangura gukura nkuko ivyo bihimba bigaragara mugihe c' amayinga 4.

Muri ico gihe uruhu ruba rubonerana kubera ko akabumbe kamwe kaba kanamve.

Uko uruhu runamba rero, ruzogenda ruta kwa kubonerana, arivyo bisobanura ko dushobora gusa kubona ibihimba vy'imbere uko bigenda bikura mugihe c'ukundi kwezi.

Chapter 15 5 Weeks: Cerebral Hemispheres

Hagati y' amayinga 4 na 5, ubwonko bukomeza gukura vuba kandi bukigabanyamo imirwi 5 itandukanye.

Umutwe uba ufite ibihwanye na 1/3 c'isoro ryose.

Ibitereko vy'ubwonko bigaragara, buhoro-buhoro. uko bigenda biba binini.

Imikorere ikagenzurwa n'ibitereko vy'ubwonko harimo, ibitekerezo, kwiga, kwibuka, kuvuga, inzozi, kumva, kwinyagambura kubushake, no gukemura ibibazo.

Chapter 16 Major Airways

Mubuhumekero, iburyo n'ibumoso shingiro ry'ibihaha hari kandi hashobora kwifatanya n'umuyoboro, cangwa umukenke w'umuyaga, w'ibihaha.

Chapter 17 Liver and Kidneys

Reba uburyo umwijima munini wuzuye inda uteganye n'umutima utera.

Imfyiko zihoraho zigaragara mugihe c' amayinga 5.

Chapter 18 Yolk Sac and Germ Cells

Umuhondo w'igi uba ufite ibinyabuzima kamere vyitwa imbuto. Mugihe c'amayinga 5 izo mbuto zirimuka kugira ngo zivemo ibihimba vy'umubiri bigategana n'imfyiko.

Chapter 19 Hand Plates and Cartilage

Nanone mugihe c'amayinga 5, isoro rikuza ibiganza imbavu zitangira kubaho mugihe c' amayinga 5 ½.

Hano turabona ikiganza c'ibumoso Naho inkokora iboneka nyuma y' amayinga 5 n'iminsi 6.

Embryonic Development: 6 to 8 Weeks

Chapter 20 6 Weeks: Motion and Sensation

Mugihe c' amayinga 6 ibitereko by'ubwonko bikura vuba kuburyo budahuje kurusha ibindi bice vy'ubwonko.

Isoro ritangura gukora no kwinyagambura ritabwirijwe. Kwigira gutyo ni ngombwa kugira ngo imitsi igize umubiri ikure ibi bisanzwe.

Gukora mugace k'umunwa bituma isoro rikuraho umutwe waryo.

Chapter 21 The External Ear and Blood Cell Formation

Ugutwi gusanzwe gutangura kwishushanya.

Mugihe c' amayinga 6, amaraso atangura kubaho mu mwijima urukoko rw'amavuta rutangura kubaho. Ubu bwoko bw'utuburungu tw'amaraso yera ni igice c'ingenzi murwego rwo guha ingabo umubiri.

Chapter 22 The Diaphragm and Intestines

Ubuhumekero, imitsi y'ibanze ikora muguhumeka, ibaho ahanini mugihe c' amayinga 6.

Amwe mu mara agaragara vy'agateganyo mu mukondo. Urwo rutonde rusanzwe, nirwo rwitwa urutirigongo, rutegurira ibindi bihimba bigikura munda.

Chapter 23 Hand Plates and Brainwaves

Mu mayinga 6 ibiganza biboneka muburyo butaziguye.

Umuhengeri w'ubwonko uba waragaragaye mugihe c' amayinga 6 n'iminsi 2.

Chapter 24 Nipple Formation

Utubumbankore n'izindi ngingo zigaragara igihe gito mbere yo kuja aho bugomba kuba imbere y'igituza.

Chapter 25 Limb Development

Mugihe c' amayinga 6 ½, inkokora ziba zigaragara, intoki zitangura gutandukana, ukwinyagambura kw'amaboko gushobora kuboneka.

Amagufwa kubaho, arico bita mboneza magufwa, bitangurana n'ibitugu, cangwa akarondo k'amagufwa, n'amagufwa yohejuru n'ayo hasi y'umusaya.

Chapter 26 7 Weeks: Hiccups and Startle Response

Isepfu iba yaragaragaye Mu gihe c' amayinga 7.

Amaguru uko yinyagambura bishobora kuboneka kimwe n'uburyo yikanga.

Chapter 27 The Maturing Heart

Ivyumba 4 vy'umutima biba ahanini vyuzuye. Mukigereranyo, umutima uba utera inshuro 167 ku munota.

Imikorere y'amashanyarazi y'umutima ibaho mu m' amayinga 7 ½ werekana umuhengeri nk'uwumuntu mukuru.

Chapter 28 Ovaries and Eyes

Mugitsina c'umugore amagi aboneka mugihe c' amayinga 7.

Mugihe c' amayinga 7 ½, amabara y'imboni z'amaso agaragara kuburyo bworoshe ndetse n'ibiziga vyayo kuko bitangura igihe co gukura nko kuvumbuka.

Chapter 29 Fingers and Toes

Intoki ziba zitandukanye n'amano aba afatanije kuntangiro.

Amaboko ashobora noneho kuja hamwe, nkuko amaguru nayo aruko.

Amavi agaragara afatanye.

The 8-Week Embryo

Chapter 30 8 Weeks: Brain Development

Mu m' amayinga 8 ubwonko buba bwarakuze rwose buba bungana na kimwe ca kabiri c'ibiro vyose vy'uruyoya.

Gukura gukomeza kwihuta Ku buryo budasanzwe.

Chapter 31 Right- and Left-Handedness

Mugihe c' amayinga 8, 75% vy'inzoya ahanini zerekana iburyo bwazo. Igihimba gisigaye kigabanyamo imigabane ingana hagati y'ibumoso n'ahandi. Ivyo nivyo bimenyetso vy'uko umwana azakoresha indyo cangwa imoso.

Chapter 32 Rolling Over

Abaganga bavura abana nibo babifitemo "ubuzobere" nkuko bigaragara mu m' amayinga 10 kugeza ku 20 nyuma yo kuvuka. Ariko nanone, urwo ruhererekane ruhambaye rwerekana bigikubita aho uburemere buke buri bwa ya mavuta arinda igi gukomereka. Keretse gusa habuze imbaraga zikenewe kugira ngo haneshwe ibogama ry'ingufu ziturutse kuruhande ubundi ikiziba c'inda kirinda umwana impanuka.

Uruyoya rutangura gukubagana muri ico gihe.

Ashobora gukubagana buhoro cangwa cane, rimwe cangwa kenshi, kubushake cangwa hari impamvu.

Umutwe kuwubona ahandi, ijosi ari uko, n'akaboko kakagaragara ivyo bikunze kubaho.

Gukora ku ruyoya bituma rukinisha imisaya, rukerekana gupfumbata cane, no kwereka ino.

Chapter 33 Eyelid Fusion

Hagati y' amayinga 7 n'8, ibitsike vy'amaso bikura vuba hejuru y'amaso bikaja no kwegerana.

Chapter 34 "Breathing" Motion and Urination

Nubwo nta muyaga uba uri mu kiziba c'inda, uruyoya rwerekana rimwe na rimwe uburyo bwo guhumeka mu m'ayinga 8.

Muri iki gihe, imfyiko zisohora amasobe akaja muri wa mufuka w'amavuta.

Mw'isoro rizovukamo igitsina gabo, haboneka ibimenyetso vyuko hazavuka umuhungu.

Chapter 35 The Limbs and Skin

Amagufwa, ingingo, inyama, ibitekerezo, n'imitsi y'amaraso vy'umubiri bija gusa n'ivy'abantu bakuru.

Mu m' amayinga 8 uruhu rwo hanze, cangwa uruhu rusanzwe, rufata imbera byombi, rutakaza ububonerane bwarwo.

Ingohe zikura nk'umusatsi ugaragara iruhande rw'umunwa.

Chapter 36 Summary of the First 8 Weeks

Amayinga 8 bigaragaza kurangira igihe c'isoro.

Muri iki gihe, isoro ry'umuntu riba ryararumbutse kuva kukaburungu kamwe kugeza hafi k'utuburungu miriyardi 1 arivyo bigira ibihimba birenze 4,000 vy'umuntu.

Ubwo rero isoro riba rifite ibirenze 90% vy'ibihimba biboneka mu bantu bakuru.

The Fetal Period (8 Weeks through Birth)

Chapter 37 9 Weeks: Swallows, Sighs, and Stretches

Igihe co gukura kirakomeza kugeza igihe co kuvuka.

Mu m' amayinga 9, nibwo konka bitangura n'ikiziba c'inda gishobora kumira ya mavuta.

Ikiziba c'inda gishobora gupfumbata ikintu, kikajana umutwe imbere n'inyuma, umusaya ugafunguka no gufunga, ururimi rugakora vyose.

Mu maso hagaragara uburyo bwo kumva, ibiganza, n'udutsintsino twerekana ibimenyetso vy'ubuzima.

"Mu kwerekana ko wakoze ku gatsinsino," agahinja gakinisha amanyiginya gashobora guhina ivi n'amano.

Ibitsike vy'amaso ubu birabumvye pe.

Mu muhogo, hagaragara ibituma umuntu agira ijwi kikaba ari ikimenyetso c'uko ijwi ririmo rikura.

Mu isoro ry'igitsina gore, ikiziba c'inda kigaragaza utuburungu tw'imbuto zidafashe zivyara ziranga igitsina gore, zikuba kenshi mu mufuka w'uruvyaro.

Ibihimba bigaragara vy'uruvyaro bitangura kwigaragaza ubwavyo niba ari igitsina gabo cangwa igitsina gore.

Chapter 38 10 Weeks: Rolls Eyes and Yawns, Fingernails & Fingerprints

Ubuturumbuke mumikurire hagati y'amayinga 9 na 10 vyongera ibiro y'umubiri inshuro zirenze 75%.

Mugihe c' amayinga 10 ibitsike vyo hejuru y'ijisho bipfundikira ijisho bikanarikoresha.

Akayoya karayura, akenshi karafungura kakanafunga umunwa.

Utuyoya twinshi turigata igikumwe c'iburyo.

amwe mu mara yo mu mukondo asubira mugitereko c'inda.

Amagufwa atangura gukomera

Inzara z'intoki n'iz'amaguru zitangura gukura.

Ibimenyetso vy'intoki bigaragara amayinga 10 nyuma yo gusama. Izo manzi zishobora kugaragara mu buzima bwose.

Chapter 39 11 Weeks: Absorbs Glucose and Water

Mugihe c'amayinga 11 izuru n'umunwa biba bigaragara. Nkuko kuri buri gihimba kindi c'umubiri, kuri buri intera isura y'umubiri izohinduka mu buzima bw'umuntu.

Amara atangura gukurura ibifite isukari n'amazi vyamizwe n'uruyoya.

Igitsina kimenyekana igihe co gusama, ingingo zigaragara z'ubuvyeyi noneho zishobora gutandukanywa igitsina gabo cangwa igitsina gore.

Chapter 40 3 to 4 Months (12 to 16 Weeks): Taste Buds, Jaw Motion, Rooting Reflex, Quickening

Hagati y' amayinga 11 na 12, igi ryongera ibiro hafi 60%.

Amayinga 12 haba harangiye kimwe c'agatatu kibanza, cangwa amezi 3 yo gutwita.

Mu munwa haza icumva uburyohe n'ububihe. Igihe co kuvuka iyo kumva uburyohe n'ububihe bigumaho gusa ku rurimi no kurusenge rw'umunwa.

Amara atangura kujegajega nyuma y' amayinga 12 gusa agakomeza gutyo igihe c' amayinga 6.

Umubiri utangura kuva mu igi n'urura rugari rw'uruyoya arico citwa umwanda. Uba igizwe n'ivyo uruyoya rwariye rukiri munda, za proteine n'utuburungu tw'amaraso tuba twarapfuye bikorwa n'inda.

Mugihe c' amayinga 12, igihimba co hejuru kiba hafi carageze uko kizoreha. Ibihimba vyo hasi bifata igihe kugira ngo bigere uko bizoreha.

Uretse gusa umugongo no kugahanga, umubiri wose w'uruyoya ushobora kumva iyo ukozweko.

Itandukaniro ry'imikurire y'igitsina n'ibijana naco nibwo bigaragara ubwa mbere. Urugero, utuyoya gore tujegajeza imisaya kenshi kurusha utuyoya gabo.

Kubera nkuko twabibonye kare, ibituma umunwa uryoherwa vyerekana impamvu zishira gufungura umunwa. Ivyo vyitwa "ugushaka inzira" kandi birakomeza na nyuma yo kuvuka, bifasha uruyoya rwavutse kumenya imoko za nyina igihe co konka.

Isura ikomeza gukura uko urukoko rw'amavuta rugenda rushongera mu ruhu n'amenyo atangura kumera.

Mugihe c' amayinga 15, nibwo utuburungu tuvyara amaraso tuza, tukizingira mu igufwa ritarakomera. Utuburungu dukora amaraso tuzoboneka aha.

Nubwo igi ry'umwana ritangura gutera nk'igicuro mu m'amayinga 6, ariko umugore utwite atangura kumva inda itera ubwambere hagati y' amayinga 14 na 18. Ubusanzwe ico gihe citwa ico hagati mu gutwita.

Chapter 41 4 to 5 Months (16 to 20 Weeks): Stress Response, Vernix Caseosa, Circadian Rhythms

Mugihe c' amayinga 16, impamvu zateye urushinge kwinjira munda y'igi ruhungabanya imbuto igisubizo kikagorana impamvu zituma utwite zikaja ahagaragara, cangwa impamvu zituma amaraso aja ukwayo. Utuyoya twavutse n'abantu bakuru berekana ibimenyetso bimwe mu buryo bitagenda neza.

Mubuhumekero, umuhogo uba noneho ugaragara.

Umweru urinda umuhogo, witwa urutonde rw'amenyo, ubu utwikiriye uruyoya. urwo rutonde rurinze uruhu ngo rutagira ikiruhungabanya biturutse ku mavuta.

Guhera ku mayinga 19 akayoya karakina, kagahumeka, n'umutima utangura gutera ukurikije ibiriho ku munsi arivyo vyitwa akazi k'umutima.

Chapter 42 5 to 6 Months (20 to 24 Weeks): Responds to Sound; Hair and Skin; Age of Viability

Mugihe c' amayinga 20 ingoma y'amatwi, ituma umuntu yumva, iba imeze nk'iy'umuntu mukuru ku buryo nta kindi ikeneye imbere mu gutwi. Guhera ubu noneho, akayoya gashobora kwerekana ko kumva urusobe rw'amajwi.

Umusatsi utangira gukura ku ruhu rw'umutwe.

Ibigize uruhu, n'izindi ngingo z'umubiri biba vyuzuye, harimo igikuriro c'umusatsi n'uduturugunyu.

Mugihe c' amayinga 21 kugeza kuri 22 nyuma yo gusama, ibihaha bigira ubushobozi bwo guhumeka umwuka. Ibyo vyerekana ko umwana aba yakuze kubera ko aba nyuma y'ingovyi ivyo ariko bishoboka ku tuyoya tumwe na tumwe. Hakoreshejwe ubuhanga buhanitse Mu vy'ubuvuzi birashoboka kuramira ubuzima bw'abana bavuka badashitse.

Chapter 43 6 to 7 Months (24 to 28 Weeks): Blink-Startle; Pupils Respond to Light; Smell and Taste

Mugihe c' amayinga 24 ibitsike vy'amaso bifunguka bushasha akayoya gakubita ingohe. Ivyo bituma kagira urusaku nkuko bigenda mu igi rizavamo igitsina gore.

Abashakashatsi benshi bavuga ko urusaku rwinshi rushobora kugira ingaruka mbi kubuzima bw'uruyoya. Ingaruka z'ako kanya harimo kwiyongera umutima guteraguza, akayoya kamira bikabije, no guhindagurika mu myifatire. Ingaruka z'igihe kirekire akayoya gapfa amatwi.

Inshuro zo guhumeka zishobora kwiyongera cyane kugeza kunshuro 44 mu guhumeka no gusohora umwuka ku munota.

Mugihe c'amezi 3 ya mbere yo gutwita gukura vuba k'ubwonko bitwara 50% vy'ingufu zikoreshwa n'akayoya. Ibiro vy'ubwonko vyiyongera hagati ya 400 na 500%.

Mu m'amayinga 26 amaso azana amarira.

Imboni zerekana kubona urumuri nyuma y' amayinga 27. Ubwo buryo bugenzura uburemere bw'urumuri iyo rugeze aho ijisho ryakirira urumuri mubuzima bwose.

Ibifasha bindi vyose bikenewe biba vyuzuye kugira ngo uburyo bwo kwihumuriza bukore. Ubuhanga kuvyerekeranye n'abana bavuka badashitse bwerekana ubushobozi bwo kumva impumuro ivyo biba mugihe c'amayinga 26 nyuma yo gusama.

Bishira ibinyasukari mumufuka ugira amavuta vyongera uburyo akayoya kamira. Igitangaje, ibigabanya akayoya kumira n'iyo gahuye n'ibintu birura. Akenshi kagaragaza gukambya isura.

Biciye muruhuri rw'intera nko kunyagambura amaguru bimeze nko kugenda n'amaguru, akana karibirindura.

Akayoya gasa n'akihinye nk'amavuta y'inyongera ari munsi y'uruhu. Amavuta afite uruhare rukomeye Mu kubumbatira ubushuhe bw'umubiri no kuzigama ingufu nyuma yo kuvuka.

Chapter 44 7 to 8 Months (28 to 32 Weeks): Sound Discrimination, Behavioral States

Mugihe c' amayinga 28 akayoya gashobora gutandukanya urusaku rwinshi n'urusaku rukeya.

Mugihe c' amayinga 30, uburyo bwo guhumeka buba busanzwe gahumeka mu kigererenyo gihwanye na 30 kugeza kuri 40%.

Mugihe c'amezi 4 yanyuma yo gutwita, akayoya kerekana gukora ibintu bifite bisobanutse bijana n'ibihe vyo kuruhuka. Iyo myifatire yerekana kwiyongera muburyo budasobanutse imikorere y'iteraniro ry'ibituma umuntu yumva.

Chapter 45 8 to 9 Months (32 to 36 Weeks): Alveoli Formation, Firm Grasp, Taste Preferences

Hafi amayinga 32 amashami nyayo y'ubuhumekero, cangwa "udufuko" tw'utuburungu tw'umuka, dutangura gukura mu bihaha. Tuzakomeza gukura kugeza igihe c'imyaka 8 nyuma y'ivuka.

Mugihe c' amayinga 35 akayoya kaba gafunze igipfunsi.

Akayoya kerekana ibintu binyuranye bituma umwana atakaza guhitamo guhonja nyuma yo kuvuka. Urugero, abavyeyi barya ivyatsi bifite kuba vyoboreza, bituma umwana akunda ibija gusa navyo nyuma y'ivuka. Utuyoya tutagira aho twahuriye n'ibisindisha ntitubikunda.

Chapter 46 9 Months to Birth (36 Weeks through Birth)

Uruyoya rutangura akazi ko gukora uruhuri rw'ibiganisha inzira y'agateganyo hagati y'igi n'uruyoya rwavutse.

Ako kazi kagaragazwa n'ubwivumbagatanye mu kiziba c'inda, bituma umwana avuka.

Guhera igihe co gusama kugeza igihe co kuvyara na nyuma yaho, umubiri w'umuntu wubaka imbaraga mu buryo butaziguye bukomeza. Ubuvumbuzi bushasha muri urwo rutonde burerekana ingaruka ku mwana mu buzima bwe bwose.

Nkuko twashoboye kumva Mu vyerekeranye n'amajambere y'umubiri w'umuntu, ni ingenzi kurinda ubuzima bw'umwana mbere na nyuma yo kuvuka.